Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°795 15 Mukakaro 2023

## Ku ncuro ya mbere : «Paruwase Karinzi, yaraye yakiriye ibirori vyo kwatira abasaserdoti n'abadiyakoni».



Ku musi wa gatandatu, igenekerezo rya 8 Mukakaro 2023, niho Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze Gatolika y'i Bujumbura yaratiye abasaserdoti 11 n'abadiyakoni 10 n'abandi berekeza kuri iryo banga ry'ubusaserdoti baronse ibice vy'ubukorezi 10 hamwe n'abasomyi 11.

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Umuryango: «Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza»



Soma ku Rup. 2

## Ibirimwo

o Ikete rya Papa Fransisko : Sublimitas et miseria hominis.......................6
o Umuntu aremesha amahoro ategerezwa kuba inkingi y'ubuntu.................................................................................8
o Uburenganzira bwo kutagirwa umuja.......................................................10
o Ku ncuro ya mbere : «Paruwase Karinzi, yaraye yakiriye ibirori vyo kwatira abasaserdoti n'abadiyakoni»...............................................................12

# Idominika ya Cumi na Gatanu : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Izaya 55 : 10 - 11*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Imvura irarondora isi)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama : Nk'uko imvura n'urubura bimanuka biva mw'ijuru maze ntibisubireyo bitavomeye isi, bitayirondoye kandi bitamejeje ibiterwa, bitahaye imbuto umubivyi, n'imfungurwa uwurya, ni ko n'ijambo rivuye mu kanwa kanje rimeze. Ntiringarukako ritagize akamaro, ritakoze ico nipfuza, ritaranguye ico mba naritumye.

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyaroma: 8, 18 - 23*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma:

*(Ibiremwa vyose vyiteze umunsi ubuninahazwa bw'abana b'Imana buzohishuririrwa)*

Ncuti zanje :
Jewe ndiyumvira ko amagorwa y'iki gihe turimwo ata ho ahuriye n'ubuninahazwa tuzohishuririrwa. Erega ibiremwa vyose birarindiranye igishika cinshi igihe Imana izokwerekanira abana bayo. N'aho ibiremwa vyose vyaguye mu buja bw'ibitagira mvura, si vyo vyavyishakiye, vyavuye ku Mana ibigaba. Ariko birizigiye yuko bizokira na vyo nyene bwa buja bw'ibibora, ngo bishikire umwidegemvyo w'ubuninahazwa bw'abana b'Imana.

Erega turazi yuko gushika ubu ibiremwa vyose vyiganyira bikaniha nka kumwe kw'umuvyeyi ari ku nda. Kandi ga si vyo gusa, na twebwe nyene naho tumaze kuronka ingabirano za mbere za Mutima, turaciganyira mu mutima twiteze itunga ry'abana, irokoka ry'umubiri wacu.

## Inkuru nziza : *Matayo: 13, 1 -9 canke 1 - 23*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Imbuto ni Ijambo ry'Imana, umubivyi ni Kristu. Uwumwemera wese azoramba mu myaka yose.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Ubwami bw'Imana busa n'umubivyi)*

Kuri uyo musi, Yezu yavuye mu nzu aja kwicara ku nkengera y'ikiyaga. Iruhande yiwe rero hakoranira ishengero rinini, bituma yurira mu bwato, aba ari ho yicara, ishengero ryose na ryo riguma ku nkengera. Araheza abiganira ibintu vyinshi mu migani, avuga ati: «Hari umubivyi yagiye kubiba, hanyuma ariko arabiba, intete zimwe zigwa iruhande y'inzira, haza inyoni zirazinobagura. Izindi zigwa ku rutare hatagira ivu ryinshi, ubwo nyene zica ziramera kuko ivu ryari rike, izuba ryatse riraziturira, zica ziruma kubera ko zitashitsa imizi kure. Izindi zigwa mu mahwa, hanyuma nya mahwa amaze gukura arazizingamika. Yamara hari izindi zaguye mw'ivu ryiza, zirarondoka, rumwe rwigira ijana, urundi mirongo itandatu, urundi mirongo itatu. Uwufise amatwi niyumve!»

# Umuryango: «Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza»

 Ubutumwa Ekleziya muryango ijejwe ni ubutumwa bw'ukumenyesha Inkuru nziza ku bagize iyo Ekleziya nyene, ni ukuvuga abagize urugo canke umuryango.

Mu nyigisho ya Vatikano II yerekeye abakristu balayike yitwa Apostolicam Actuositatem mu nomero ya 11 dusoma ngo: "abubakanye b'abakristu, umwe wese abera uwundi, no ku bana babo n'abandi bose banyamuryango, abafasha b'ukugira ngo inema y'Imana ibashikire bongere bashingire intahe ukwemera.

Ni bo bambere babwirijwe gushikiriza ukwemera abana babo, kandi bakabandanya babarera muri uko kwemera. Babigira mu majambo no mu nyifato ishingira intahe ubuzima bw'abakristu n'ubw'ubutumwa.

Barababafasha no mu kumenya guhitamwo neza umuhamagaro wabo, kandi bakirinda kubabera intambamyi mu gihe bosanga Imana ibatorera umuhamagaro w'ukuyihebera" (traduction personnelle).

 Umweranda Papa Yohani Paul II mu nyigisho yatanze ikurikira Inama Nsangizagendo isanzwe y'Abepiskopi yari yerekeye abakristu balayike bise "Christifideles laici" (1988), mu nomero ya 62, na we nyene arabishimangira ati:

Ibik. urup.4

# Ihwaniro ry'ingo n'imiryango mu Burundi

*(Bitangurira ku rup.2*

umuryango w'abubatse rukristu, nka Ekleziya yo haziko, ni ishure ryambere kandi rihambaye mu vyerekeye indero y'ukwemera: se w'umwana na nyina w'umwana bararonka mw'isakramentu ry'ukubaka rukristu inema n'ubutumwa bw'ukurera rukristu abana babo, mu nyifato ishingira intahe Kristu no mu kubigisha ingeso ndoramana z'abakristu.

Abandanya agira ati: aho ni ho bigira guhoha Imana nk'Umuvyeyi n'ukuyishimagiza ku rukundo rwayo rwama rwitangira abantu. Uko abana babona ibimenyetso vy'urukundo abavyeyi babagirira, ni ko na bo biga kwitangira abandi n'ukubakunda batiziganya.

Vyongeye, uko abavyeyi batera bamenya ko Ekleziya yo kuziko ibwirijwe gutanga intererano mu butumwa bw'Ekleziya y'isi yose, ni ko n'abana baharonkera indero y'u-kumenya Ekleziya, bikavyura muri bo akanyota k'uko na bo boyihebera.

- Mu ncamake, ubutumwa bw'Ekleziya yo haziko ku bayo, bwerekeye umugabo n'umugore babwirijwe gushigikirana mu rukundo rwabo bagafashanya kuba beranda; rukerekera na cane cane abavyeyi babwirijwe gushikiriza ingabire y'ukwemera abana babo n'ukubigisha kwitangira ubutumwa bw'Ekleziya y'isi yose.

1.2 Ekleziya yo haziko irabwirijwe kumenyesha abo hanze Inkuru nziza (la mission ad extra).

- Nkuko Ekleziya ikwiye kw'isi yose ibigira, Ekleziya yo haziko irabwirijwe kuba umuvyeyi n'umurezi aho iri. Uko ni ko umweranda Papa Yohani Paulo II yavyigishije muri ya Nyigisho Familiaris consortio, mu nomero ya 38.

- Mu ntumbero y'ukurangura ubutumwa bw'ukumenyesha hose Inkuru nziza, Ekleziya yo haziko ihamagariwe kuba nk'urumuri rwa Kristu n'urukundo rwiwe ikarwereka iyindi miryango ya kure, imiryango itaremera n'iy'abakristu nyene mugabo itakibayeho yitwararitse ivy'ukwemera kwayo. Ekleziya yo haziko irahamagariwe kandi kumurikira n'akarorero kayo keza k'ugushingira intahe ukwemera "abarondera ukuri" (raba Lumen Gentium 35 ; Apostolocam Actuositatem 11).

- Si ivyo vyonyene, nkuko vyabaye mu ntango z'Ekleziya kuri Aquila na Priscilla (raba Ibikorwa vy'Abatumwa 18 n'Ikete ry'Abaromani 16, 3-4), ivy'ukumenyesha Inkuru nziza biranagirwa n'ingo z'abubatse zemera kuva aho zibaye zikagenda kumenyesha Inkuru nziza aho batarayimenya mu kumenyesha Ijambo ry'Imana canke mu gukorera benewabo babitumwe n'urukundo rwa Kristu gusa, ata zindi nyungu barondera.

- Ekleziya yo haziko iramenyesha Inkuru Nziza mu makungu kandi mu gusabira no mu gushigikira abafise umuhamagaro w'ukumenyesha Inkuru nziza mu makungu, bakabireresha abana babo, kugira ngo hagire abo Imana yitoreramwo (raba Ad gentes 39 na Familiaris Consortio, 54).

- Ekleziya yo haziko ni na yo ifise ubutumwa ntasubirizwa bw'ukubaka umubano wuzuye ubuzima, bakirinda umuco w'urupfu. Umuhamagaro w'urugo nka Ekleziya yo haziko, ni ukumenyesha, uguhimbaza n'ukwitangira Inkuru nziza y'ubuzima. Ubwo butumwa bwega imbere ya vyose abubatse babwirijwe kugira urukundo rurondokera ubuzima (raba Evangelium vitae, 92).

2. Habuze iki canke hokorwa iki ngo urugo rube Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza?

3.1 Kumenya n'ukwemera ko kwubaka rukristu ari umuhamagaro w'Imana.

- Nk'uko muvyibonera aho muherereye, ukwubaka umengo ni ibintu bisanzwe vya bose bigirwa n'umuntu wese ashitse mu bigero.

Tugomba ko urugo rw'abakristu ruba Ekleziya yo haziko imenyesha Inkuru nziza, birihutirwa ko abubaka bigishwa kandi bakemera ko ukwubaka rukristu ari umuhamagaro w'Imana nk'iyindi mihamagaro yose y'Imana: ubusaseredoti, ukwihebera Imana.

Inyigisho y'Ekleziya ya Vatikano ya II Lumen Gentium iratomora neza ko hari inzira zitatu z'ugushikira ubweranda: umuhamagaro wo mu nzira y'ubusaseredoti, uwo mu nzira y'ukwiheberimana, n'uwo mu nzira y'ubuzima bulayike umuntu ashobora kwubaka rukristu.

- Uko kumenya n'ukwemera ko ukwubaka rukristu ari umuhamagaro, bisaba abafise uyo muhamagaro ko babitahura nk'ibanga ry'ukwemera, bakemera bakabifatira umwanya. Bakamenya ko ukwubaka atari ukurangura gusa amabanga y'abubatse nk'ibitungwa.

Mu gitabu ca Tobith, ni ho batubwira ko imbere yuko Tobie arangurana amabanga y'abubatse na Sarra, yabanje kumubwira ati: ingo tuvyuke tubanze dusenge. Baciye bavyuka barasenga, babona gukora ibanga ryabo nk'umuhamagaro w'Imana (Tobith 8,4-9).

Nkako ku muntu w'Imana, igikorwa cose, cane cane gihambaye, umuntu w'Imana yama agitangura akiragza Imana, ndeke rero igikorwa c'ibanga. Uwobaza abategurwa mu vy'ukwubaka rukristu, ni bangahe bibutswa ico gikorwa c'ugusenga Imana imbere yuko bakora igikorwa c'ibanga ? Ni bande bacubahiriza ?

- Turabwirijwe kumenya ko mu yindi mihamagaro yose, bama bafata umwanya utari muto w'ukuyitegurira ngo bamenye ivyo bagiyemwo ko ari ibanga. Nk'abihebeyimana babwirizwa kugira n'imiburiburi imyaka itatu imbere yuko bagira indagano za mbere !

Mu busaseredoti, ntibaja musi y'imyaka indwi. Kandi muri iyo myaka yose, bakabigisha bakabanoza. Ariko mu kwubaka rukristu kandi ari umuhamagaro uhambaye cane kuko usangirwa na babiri, usanga hategekanywa amezi makeyi, na yo nyene abagomba kwubaka bakabona ko ari menshi!

*Ibik. urup.4*

# Ku ncuro ya mbere : «Paruwase Karinzi, yaraye yakiriye ibirori vyo kwatira abasaserdoti n'abadiyakoni».

*(Bitangurira ku rup.1)*

Kari akanyamuneza kamuje muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, na cane cane abakristu ba Paruwase Karinzi kuko yari incuro ya mbere urwo rubanza rubereye muri iyo Paruwase kuva 1967, hari haheze imyaka 56.

Inkuka ya misa yabereyemwo ibirori vy'uyo musi, yatanguye igihe c'isaha zine irongowe n'Umwungere mukuru akikijwe n'abasaseredoti isinzi. Abihebeyimana n'abakristu balayike bavuye hirya nohino muri Diyoseze no mu yandi maparuwase bari bakubise harazima.

Twomenya ko abo basore bari baraye biyemereye mbere bagerekako n'indahiro imbere ya altari nyeranda, imbere y'Umwungere wa diyoseze, n'abasaserdoti babitangiye mu mabanga, kumwe n'igihugu ceranda c'Imana : ugushingira Intahe ivyo Ekleziya yemera, ukutubaka urwabo hamwe n'uko bazobaho begukiye Diyoseze ya Bujumbura.

Kuri uyo musi akanyamuneza karasesekara ku maso y'abari bahakoraniye bose: imikangara ije kugabana ivyo vyiza vy'Imana, abavyeyi, incuti n'abagenzi, abanyacubahiro benshi batandukanye.

Banezerejwe n'ivyiza Imana idahengeshanya guha abayo, ndetse banitaba akamo k'Umwungere yabatumirira mu ntango ya misa kuzirikana ivyiza Umukama atugirira ko ari agatangaza, biciye ku basaserdoti, ariko kandi ko ari akaryo baronse ko gusabira abo bagira baterwe iryo teka bagashingwa n'amabanga ahambaye.

Mu nyigisho yiwe, Umwungere ati : « Ivy'Umukama atugirira ni agatangaza kandi turi mu kanyamauneza ». mbega ivyo vyiza Umukama abandanya atugiria ni ibihe?

Ni ivy'uko Umukama yaduteye iteka ry'ukudusangiza ubsaserdoti n'Umwana wayo. Ati erega umusaserdoti atorwa mu bantu kandi agashingwa n'Imana kugira ngo asangire nayo iteka ryo gukiza abantu nk'Umwana wayo Yezu Umusaserdoti mukuru. Umusaserdoti atorwa mu bantu agashingwa gufasha abantu kunywana n'Imana.

Yaribukije ko iryo teka arironka ku bw'ubuntu bw'Imana yama ishaka kudukiza. Kugira ngo akomere muri iryo banga, uwatowe abwirizwa kwama akebukana n'Umukama yamutoye, kwamana n'Imana mu gisabisho, mukwama azirikana Ijambo ry'Imana n'ukuronka amasakramentu.

Mu bukengurutsi, uwatowe abwirizwa kwama yibaza aho ahera n'aho ahereza, aho yoshimikira, ntapfa uko arangura ubutumwa.

Yabandanije yibutsa abari aho ko Umusaserdoti abwirijwe kwamana umwitwarariko wenyene w'ukwemera nyakwo, agafasha nabo yashinzwe gukomera mu kwemera nyakwo. Ati : « Muri iyo ntumbero, inkuru nziza igire ico itwigishije : abantu babonye ico kimenyetso Yezu agize, bagize bati: ni ivy'ukuri uyo ni wa muhanuzi yaje kw'isi.

Ekleziya ntishobora kubaho itariko iragira ivyo bimenyetso bisa n'ukugwiza imikate. Ni vyo ni ya mashure, amavuriro, ibikorwa vy'urukundo n'ikigongwe, vya bikorwa vy'iterambere, Umusaserdoti ahamagariwe kwitwararika.

Ntiyoshira ku ruhande ben'ivyo bikorwa naho atari vyo vya mbere,

***Ibikur. urup. 12***

# Umuryango: «Ekleziya ya haziko imenyesha Inkuru nziza»

*(Bitangurira ku rup.3)*

Ubwo barategera ko ari umuhamagaro ubinjiza mw'ibanga kandi ujanye n'ubutumwa buhambaye?

 Uko kumenya n'ukwemera ko kwubaka rukristu ari umuhamagaro w'Imana bisaba twebwe Abungere n'abasaseredoti eka n'abandi barangurira ubutumwa muri ico gisata kurushirizaho kwitwararika ubwo butumwa : mu gutegura urwaruka rucitegurira kwubaka, kurufasha gutegera n'ugutegura neza liturujiya y'isakramentu ry'ukwubaka rukristu bakareka kubifata nk'ibikino, be n'uguherekeza ingo z'abubatse.

Erega mu yindi mihamagaro yose harategekanijwe imyaka y'uguherekeza abashikiriye ibanga!

3.2 Turakeneye ko turonka ingo zigizwe n'abakristu bakomeye mu kwemera:

 Ica kabiri mbona muri rusangi ku ngo z'abakristu, ni uko zigizwe n'abantu badafise ukwemera gukomeye, kenshi kuko batigihijwe bikwiye, ngo batirwe mw'ibanga ry'ubukristu ari uko bahindutse (bagize une conversion personnelle).

Benshi tubabatiza bakiri inzoya, batazi ivy'ukuba abakristu, hageze ko baragana (bakuka) bamwe bakabibonamwo gusa ibirori, abandi uburenganzira bw'uko bashobora kwubaka rukristu.

Gurtyo, benshi bagumana kwa kwemera kw'inkuru mbarirano, kumwe abanyasamariya bahakanira Umunyasamariyakazi bati: ubu ntitucemera kubera ivyo watubariye, twemera kuko twamwiboneye kandi tukamwiyumvira twebwe nyene ubwacu (faire une expérience personnelle d'une rencontre qui transforme la vie) (raba Yohani 4, 39-42).

***Biracaza***
***Patiri Noël Ntirandekura***

# Uguhimbaza Umusi w'Imana. *(Ibikurikira)*

Iki kigabane ca gatanu c'iri kete nyigisho ya Nyenubweranda Papa Yohani Paulo wa Kabiri mweranda, kituyagira umunsi w'Imana ko ari «Umunsi uzohoraho».

Ni «Umunsi mukuru uruta iyindi mu kudondora insiguro y'ibihe.»

Kristu niwe « Tanguriro n'Iherezo ry'ibihe. »

Mu bukristu, ibihe bifise ikibanza gihambaye. Muri Yezu Kristu, jambo yigize umuntu, umwanya aca uronka agaciro ku Mana, ari na wo nyene uzokwamaho.

Tumurikiwe n'umuco w'Ubwuzure Bushasha, tubona ko imyaka Yezu yamaze kw'isi yabaye n'umutima w'ibihe. Niba ari vyo ko Imana yigize umuntu kuva agisamwa mu nda ya Bikira Mariya, ni n'ivy'ukuri ko no ku bw'izuka ryiwe, isi yose yayihinduye ukundi kandi yaninahajwe. Ihishurirwa ityo uko iri n'ubuninahazwa buzohoraho irindiriye.

Mu nyigisho Paulo mweranda yashikirije mw' (isinagoga y'i Antiyokiya ya Pisidiya (Ibikirwa vy'Abatumwa 13,33), Paulo yerekeza kw'izuka rya Yezu ico Izaburi ya kabiri ivuga iti : « Uri Umwana nakwibarutse uyu munsi » (Zabuli 2,7).

Amajambo avugwa bariko barategura itara rya Pasika, ryanditsweko umwaka barimwo, arerekana neza ko « Kristu ari Umukama w'ibihe, ko ari we Ntango n'Iherezo ryavyo, Umwaka wose, umunsi



wose, umwanya wose, ikiremwa cose kironkera umwuzurira mu kwigira umuntu kwa Kristu no mu kuzuka kwiwe, kugira ngo ushikire wa mwuzurira wuzuye w'ibihe.

Idominika ku mukristu ni ikindi kintu, ikesha isoko ryayo mw'izuka rya Kristu, ikarengera ibihe vy'umuntu, amezi, imyaka, ibinjana nk'umwampi usongoye, ubihindukiza uvyerekeza ku rindi hindukira rya Kristu twimirije.

Idominika imenyesha umunsi wa nyuma, usa n'uwatanguriwe n'ubuninahazwa bwa Kristu kubw'izuka ryiwe.

Kubw'ivyo, umuntu abibona nk'ivy'ijiji, ariko umukristu we abifitiye urufunguruzo.

Gutagatifuza umunsi w'Imana bimubera icabona c'ukuri ko ahamagariwe guha ivyo bihe vy'umuntu umwanya wose ushigikiwe n'ukwizigira.

Idominika mu mwaka wa Liturgiya.

Ibihe vy'urukiza ubuzima bw'Ekleziya bushimikirako vyabaye ibihe bifitaniye isano na Pasika na Pentekoti, tubiravye mw'ishaka ry'Imana. Iminsi mikuru ya buri mwaka y'Abayahudi yari yarabuwe n'Abahanuzi.

Yatangurirwa n'igihe c'ukwisonzesha cayitegura, ugahimbazwa mu giteramo cawurongora, ugakurikirwa n'iminsi mirongo itanu tashika kw'i Pentekoti.

Umunsi mukuru wa Pasika wari "umunsi mukuru w'ibirori", uba n'umunsi ntangere wo kumenyereza abakatekumeni. Niba kubw'ibatisimu bapfa kubw'igicumuro, bakazukira ubuzima bushasha, ni uko na Yezu "yitanze ngo yishure ibicumuro vyacu, agaheza akazuka ngo atuzanire ubutungane" (Rom 4,25;6,3-11).

Umunsi mukuru wa Pentekoti uhimbazwa mu kwibuka umuzo wa Mutima Mweranda ku Batumwa, aho bari bakoraniye hamwe bari kumwe na Bikira Mariya. Wabaye umunsi w'intango y'ubutumwa buzoshika mu ntara zose, bukazogarukira iyo isi igarukira.

Nkuko Ina Nkuru ya Vaticano II ivyibutsa, Ekleziya yashatse kwerekana mu gihe c'umwaka wose "Ikinyegezwa ca Kristu cose, kuva ku kwigira umuntu kwiwe, kw'ivuka ryiwe, gushika umunsi yurira mw'ijuru, kuva ku munsi wa Pentekoti gushika aho turindiranye igishika umunsi w'ihindukira ryiwe mu gahimbare.

Havuye Pasika na Pentekoti, uwundi munsi mukuru utofatwa minenerwe ni uw'Ivuka ry'Umukama, aho abakristu bazirikana ikinyegezwa c'ukwigira umuntu kwa Mwene Mana. Batangarira Jambo w'Imana we yemeye kuba iciru c'isi yose kugira ngo ayisangize ku bumana bwiwe.

Mu guhimbaza muri ivyo bihe vy'umwaka ibinyegezwa vya Kristu, Ekleziya umuvyeyi wacu ntiyibagira no guha ikibanza c'Iteka Umuhimbazwa Bikira Mariya, Nyina w'Imana, we yifatanije n'Umwana wiwe mu gikorwa c'ukuducungura.

Muri uwo mwaka wa Liturjiya, Ekleziya ntiyibagira kandi n'abapfiriye Imana be n'abandi beranda. Muri bo, yamamaza ikinyegezwa ca Pasika, kubera ko bemeye kubabara hamwe na Kristu, none ubu bakaba baninahazwa hamwe nawe nyene no muri We.

***Ivyiyumviro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II***

# Ikete rya Papa Fransisko: Sublimitas et miseria hominis



Kuva kw'igenekerezo rya 28 gushika ku wa 30 Ruheshi 2023, Karadinale Matteo Zuppi umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru y'i Bolonye mu gihugu c'Ubutariyano, yarungitswe nk'intumwa na Nyenubweranda Papa Fransisiko mu gihugu c'Uburusiya mu ntumbero yo kurondera kugarukana amahoro mu gihugu ca Ukraine no kubohoza abana bo muri Ukraine batwawe nkimbohe mu Burunsiya.

Ubutumwa bwo ku wa 28 Ruheshi bwuguruwe n'igisabisho yavugiye imbere y'isanamu ya Bikira Mariya yitiriwe umubikira w'impuwe.

Inyuma yaho, yabonanye n'umuhanuzi mwishikira wa Nyenicubahiro arongoye igihugu c'Uburusiya mu bijanye na politike hamwe n'ibindi bihugu nyakubahwa Louri Ouchakov.

Muri uwo mubonano baganiriye ivyerekeye intambara yo muri Ukraine n'inzira zishoboka zotuma iyo ndwano itorerwa umuti. Ku mugoroba w'uyo munsi yabonanye n'Abepisikopi Katolika ku kirimba c'uwuserukira Papa muri ico gihugu.

Ku wa 29 Ruheshi yarahaye umubonano Kiril aserukira ishengero ry'aba Orthodoxe mu Burusiya.

Yahaye umubonano kandi Maria Lvova-Belova umugenduzi mu biro vy'umukuru w'igihugu c'Uburunsiya ajejwe agateka k'abana. Mu biganiro bagiriraniye, bashimikiye ku bijanye n'abana bo muri Ukraine bashika ku 19000 batwawe kw'imbohe mu gihugu c'Uburusiya.

Ico kibazo kikaba kiraje ishinga prezida Zelensky wo muri Ukraine, akaba yaranasavye ubufasha Nyenubweranda Papa Fransisiko mu kwezi kwa Rusama 2023 mu mubonano bagiriraniye i Vatikano.

Uwo munsi waherahejwe n'inkuka y'imisa yabereye mw'isengero nkuru yitiriwe Bikira Mariya Nyina w'Imana y'i Moscou. Ni muri iyo misa Kardinale Zuppi yabonaniye n'aba Kristu abonerako kubashikiriza indamutso, ukuba hafi n'ibisabisho vya Papa.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, yashimikiye ku «bumwe » butava ku bukuru ariko kuco umuntu umwe wese agerageza gukorera uwundi ; ntibuva kandi kuco abantu bapfana ku bw'amaraso, ariko kuco bari kubw'Imana yatugize abana bayo n'umuryango umwe.

Ati nico gituma abantu batohengeshanya kurondera ikibungira ubumwe kuko amacakubiri atuma abantu bakumirana, akaba n'igitsitaza kuri Yezu Kristu ari naco gituma yasabiye ubumwe abamwemera.

Abandanya ati : « Papa yipfuza amahoro, arongeye kubatumirira guharanira amahoro. Nk'umuvyeyi, Ekleziya yama isaba ubudahengeshanya amahoro kuko ububabare bw'umwe mu bana b'Ekleziya nibwo bubabare bwayo. Ekleziya izokwama ari umuvyeyi ; nibwo butumwa bw'umusubirizi wa Petero mweranda. Si ugukwekwegerako, ariko afise umwitwarariko w'uko isi yose yorangwa n'a-mahoro. »

Urwo rugendo Karadinali Zuppi yagize mu Burusiya, yari yabanje no kurugira mu gihugu ca Ukraine kuwa 5 na 6 Rusama 2023 kugira abonane n'abajejwe intwaro muri ico gihugu. Yakiriwe na Nyenicubahiro Volodymyr Zelensky.

Imbere yo gushika i Kiev yabanje kuja mu gisagara c'abamaratiri kiri mu Buraruko bushira Uburengero bwa Kiev, ahapfiriye abantu benshi bishwe n'igisoda c'Abarusiya. Yaragendeye n'isengero yitiriwe umweranda Ndereya ahari ibiziga 119 bishwe mu gihe Abarusiya bahaba.

Imvo nyamukuru ni ukugerageza kumviriza vyimbitse benicubahiro bo muri Ukraine ku buryo bariko barakoresha ngo zibashikane ku mahoro yukuri no gushigikira ibikorwa biboneka vyo gutabara abaruhijwe n'intambara.

Papa Fransisiko akaba yahaye ubwo butumwa Karadinale Zuppi kuko ubwo butumwa bwo gufasha abashamiranye amaze igihe kitari gito aburangura. Ikinyamakuru c'i Vaticano «Vatican news» kikamenyesha ibihugu amaze kuranguriramwo ubwo butumwa.

Yarafashije mu gihugu ca Mozambique 1992, muri Cuba, muri Guatemala, muri Kosovo no mu Burundi ari kumwe na Nelson Mandela na Prezida wo muri Tanzaniya Julius Nyerere. Karadinale Zuppi akaba ari umuntu arangwa n'ukutarambirwa , azi kumviriza kandi avuga make, ari navyo bimufasha kurangura neza ubwo butumwa.

***MSV Ndikumana Marie Goreth***

PROJET SOLEIL NYAKIRIZA

FESEC SOLEIL-NYAKIRIZA

# ITANGAZO

Umugambi w'igihugu ujejwe gukwiragiza umuyagankuba uvuye ku mishwarara y'izuba hamwe n'amaziko ya kijambere (SOLEIL - NYAKIRIZA), uramenyesheje abikorera utwabo bigenga n'abahurikiye mu mashirahamwe y'abagwizatunga, amakoperative akorera mu gisata co guhingura no kudandaza amaziko ya kijambere, hamwe n'amashirahamwe ategamiye Reta (ONG) ariko yemerewe gukorera mu Burundi ben'urwo rudandazwa, ko wuguruye ikigega co kubasahiriza mu migambi yabo citwa Fonds d'Energie Solaire et de Cuisson (FESEC).

Ayo maziko ya kijambere abwirizwa kuba yemejwe canke yimirije kwemezwa n'ikigo kijejwe kuyapima mu Burundi. Umugambi Soleil-Nyakiriza, ubicishije ku gisata cawo FESEC ubahamagariye gutegura no gutunganya imigambi yabo kugira bashigikirwe ku gice c'intango y'ibikorwa vyo guhingura no kugurisha amaziko ya kijamnbere (subvention de démarrage) canke kugice c'ukwagura ivyo bikorwa (Subvention de croissance).

Abashaka kumenya urutonde rw'ibifatirwako kugira ngo bashigikirwe mw'ido n'ido, n'ingene ishirahamwe ricagurwa, hamwe n'izindi nsiguro zijanye n'iri hamagarwa, babisanga ku rubuga ngurukanabumenyi rw'ico kigega FESEC ***(www.fesec.bi)*** no ku rubuga bw'Ubushikiranganji bw'Amazi, Amasoko ntanganguvu, Ubutare n'Agataka ***(www.ministere-energie-mines.gov.bi).***

Kubazotanga imigambi ku biro vya FESEC, itariki ya nyuma yo kuyishikiriza ni kw'igenekerezo rya 15/08/2023 isaha cumi n'imwe z'umuhingamo (17h00). Kubazorungika ku mbuga ngurukanabumenyi bazogeza isaha zitanu n'iminuta mirongo itanu n'icenda (23h59) z'ijoro.

Ku boba bakeneye ico babaza ku bijanye n'ugutegura iyo migambi, murashobora gushika ku biro vy'ikigega FESEC biri mu nyubakwa MAHANAIM HOUSE kw'ibarabara rya Rumonge inomero 25 inyuma y'ibiro bikuru vy'ishirahamwe ryo kuvuza abakozi ba Leta (Mituelle de la fonction publique), haruguru y'ishule ry'ababirigi (Ecole Belge de Bujumbura).

Murashobora no guterefona kuri ***+257 71 348 623*** canke mukarungika ubutumwa mubicishije ku muhora ngurukanabumenyi ***info@fesec.bi.***

Projet Soleil-Nyakiriza
Fonds Energie Solaire et de Cuisson
Tél : +257 71 348 623
-FESEC-

# Umuntu aremesha amahoro ategerezwa kuba inkingi y'ubuntu

Ku ncuro igira kane, Igisata c'Ubutungane n'amahoro (CDJP-Bujumbura) muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura, caratunganije umunsi wo kwibuka abahitanywe n'indyane zabaye mu gihugu cacu. Uyu mwaka, umunsi nk'uyo ukaba wabereye muri Paruwase ya Kiganda. Hari kw'igenekerezo rya 18 Ruheshi 2023, i Kiganda.

Uwo munsi waciye uba kandi umunsi w'ugutunganya urubanza rwo kuganduka kuri abo bishwe kandi bari baramutse basabirwa mu Nkuka y'imisa.

Iyo nkuka ya misa ikaba yaherejwe n'Umwungere mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, Nyenicubahiro c'Ubutungane n'amahoro (CDJP-Bujumbura), abasaserdoti ba Paruwase kiganda n'ab'abandi.

Urwo rubanza rwari rwitabwe kandi n'Umushingamateka Abel Gashatsi, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama nshingamateka, na bamwe mu batowe mu ntaya ya Muramvya bavuka muri Komine Kiganda, imvukira za Komine Kiganda, n'isinzi ry'abakristu bari bitavye urwo rubanza.

Mu nyigisho yiwe, Umwepiskopi mukuru yamenyesheje ko "Umuntu aremesha amahoro ategerezwa kuba inkingi y'ubuntu, kandi akabwirizwa kwitwararika kugira umutima mwiza, umutima w'inda nsa, umutima uzira inabi".

Yagiriyeko akengurukira abakristu ba Paruwase Kiganda baje gusabira ababo, kuko ku bwiwe ngo batanze akarorero keza abantu bose bokurikiza ko kuzirikana ko intango n'iherezo ryo gusubiza hamwe ari ivy' Imana, ariko ko umuntu ahamagariwe gutanga intererano yiwe, kuko ngo «Imana igira aho imaniye.»

Ku bantu bose bitarakunda ko batera intambwe yo kwemera kusabira ababo, kubera ko bagisinzikajwe n'intuntu y'ukubura ababo, Umwungere mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura yasavye abakristu ba Kiganda kubakira bakabasabira, ariko ko batobatera ivyatsi, kuko ngo azirikana ko ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe atari umugambi batamika umuntu ku nguvu, ku gahato canke kw'itegeko.

Ahubwo ngo ni urugendo umuntu agira bukebuke, akaja arasaba Imana ko yomushoboza kuvyakira, na yo igaheza ikabimushoboza mu gihe cayo.

Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yarasavye kandi igihugu c'Imana cari citavye iyo Nkuka y'imisa kutagumana inzigo n'akazikira ku mutima, kuko ngo inzigo izingamika. Yabasavye kwemera bakuzuzwa urukundo n'Imana, kuko ngo urukundo rutuma umuntu atambuka ashingura.

Nk'uko biri mu migenzo y'abarundi, umuntu yitavye Imana, umuryango wiwe, ababanyi n'abagenzi baraterura umugirwa wo kumuganduka. Imiryago yasabiye ababo na yo nyene yaciye ihurira hamwe ngo igire umugirwa wo kuganduka kuri abo bishwe mu bihe bitandukanye vy'amagume Uburundi bwaciyemwo kuko hari abo bitakunze ko baganduka ku babo.

Uwaserukiye Igisata c'ubutungane n'amahoro ku rwego rw'inama nkuru y'Abeskopi Gatolika b'i Burundi, umupfasoni Nelly Irakoze yaserukiye Umunyamabanga w'urwo rwego yaribukije ko igikorwa co kwibuka abagandaguwe kiza kiganisha abarundi ku ntambwe ihambaye yo kurekuriranira.

Yagize ati: «Birakenewe ko abantu bamenya ivyabaye, vyatumye ikibano gisambuka gushika n'aho n'abantu bicwa, kugira ngo ukumenya ukuri ku vyabaye bibere abantu icishimikizo co kurekuriranira.»

Yamenyesheje kandi ko «ukwibuka kushikana ku gusabira abacu, atari ukuzura akaboze canke ugutungana intoke hagati y'abasangiye ikibano, ahubwo ko ari akaryo keza ko kwibuka abantu bagiye barazira ikibano kibi mu kubaha ikibanza mu buzima bwacu».

Ku bwiwe, ukwo kwibuka gutuma abasigwa baronka akaryo ko guserura intuntu n'akabonge kavuye ku kubura ababo.

Umupfasoni Konsiriya Nibigira ni we yaserukiye imiryango yabuze ababo, yamenyesheje ko ukwibuka abo babuze ari ukurondera inzira nziza y'uko ivyabaye bitosubira. Yagize ati: «Inyuma yo kwibuka abacu, hakurikira ukurekuriranira.»

Yaboneyeho gusaba Ekleziya Katolika, yo yateguye ico gikorwa, ko itodebukirwa kubandanya ifasha ababuze ababo kugera ku ntambwe yo gutanga ikigongwe no kurekuriranira, kuko ngo «hari aho bigora, na cane cane nko mu gihe uwakugiriye nabi aba ari umubanyi, uguma umubona.»

Abel Gashatsi, umushingamateka yaserukiye abatumiwe, kubwiwe ngo ico gikorwa ca Ekleziya Katolika co gufasha abarundi kuvugana ukuri ku vyabaye, gusabana ikigongwe no kurekuriranira, kije cuhira igikorwa c'umugwi w'igihugu CVR ujejwe kuvuga ukuri no gusubiza hamwe.

Ati : «Ivyashitse vyarashitse, ariko twame tuvyibuka mu kwirinda ko bisubira kudushikira.» Yahamagariye abanyakiganda kuvavanura n'ivy'ubwoko, kuko ngo biryanisha abantu. Yabasavye nyabuna kwitabira ibikorwa vyo kwiteza imbere, guteramira amahoro no kuba abaremesha amahoro.

Twobamenyesha ko uwo musi hibutswe abantu 1829 bahitanwe n'amagume watunganijwe bo ku misozi 19 y'amakomine ya Kiganda, Rutegama muri paruwase Kiganda.

*Biracaza*
*Ndongozi y'Uburundi*

# Kuva 2025, Intara ya Bujumbura izoba igizwe n'amakomine 11




10. Komine **Ntahangwa**, umugwa mukuru wa komine ni Mutimbuzi, igizwe n'amazone 13. Nayo ni :

• Zone Benga igizwe n'imitumba 3: Benga, Karunga na Kwigere.

• Zone Buterere igizwe n'amakartiye 8: Kartiye Bumwe, Kartiye Kabusa, Kartiye Kiyange, Kartiye Mubone, Kartiye Mugaruro, Kartiye Muhuza, Kartiye wezi, Kartiye Mwizero.

• Zone Cibitoke igizwe n'amakartiye 7: Kartiye Buhuriro, Kartiye Humuriza, Kartiye Mahoro, Kartiye Muhuza, Kartiye Mutakura, Kartiye Mwizero na Kartiye Nyamwiza.

• Zone Gatumba igizwe n'amakartiye 9: Kartiye Cuhiro, Kartiye Gaharawe, Kartiye Keza, Kartiye Mahotera, Kartiye Murinzi, Kartiye Mushasha, Kartiye Rusizi, Kartiye Vugizo, Kartiye Warubondo.

• Zone Gihosha igizwe n'amakartiye 9: Kartiye Gitare, Kartiye Huriro, Kartiye Kigobe, Kartiye Muyaga, Kartiye Nyabagere, Kartiye Sanganiro, Kartiye Sangwe, Kartiye Taba na Kartiye Winterekwa.

• Zone Kamenge igizwe n'amakartiye 10: Kartiye Gikizi, Kartiye Gituro, Kartiye Heha, Kartiye Kavumu, Kartiye Mirango, KartiyeMukozi, Kartiye Songa, Kartiye Teza, Kartiye Twinyoni, Kartiye Twizerane.

• Zone Kinama igizwe n'amakartiye 12: Kartiye Bubanza, Kartiye Buhinyuza, Kartiye Bururi, Kartiye Carama, Kartiye Gitega, Kartiye Kanga, Kartiye Muco, Kartiye Muramvya, Kartiye Mutaga, Kartiye Muyinga, Kartiye Ngozi, Kartiye Ruyigi

• Zone Kirekura igizwe n'imitumba 5: Budahirwa, Bugoma, Kivogero, Mikangara na Nyaruhama.

• Zone Mutimbuzi igizwe n'amakartiye 7: Kartiye Bigwati, Kartiye Buhomba, Kartiye Masanganzira, Kartiye Mugirigiri, Kartiye Mutimbuzi, Kartiye Muzazi, Kartiye Samariro.

• Zone Ngagara igizwe n'amakartiye 9: Kartiye Gateka, Kartiye Mahinguriro, Kartiye Majambere, Kartiye Mubano, Kartiye Mugisha, Kartiye Muhinga, Kartiye Muhizi, Kartiye Ngagara, Kartiye Rukundo.

• Zone Nyambuye igizwe n'imitumba 3: Gishingano, Nyakibande na Nyambuye.

• Zone Rubirizi igizwe n'imitumba 9: Gahahe, Gahwama, Gasenyi, Gatunguru, Karama, Muyange, Nyabunyegeri, Rubirizi na Tenga.

• Zone Rukaramu igizwe n'amakartiye 5: Kartiye Gakumbu, Kartiye Kagera, Kartiye Kajaga, Kartiye Kinyinya, Kartiye Ruvyagira.

Yose hamwe ni amakartiye n'imitumaba 96 bigize zone 13 za Komine Ntahangwa.

11. Komine Rwibaga, umugwa mukuru wa komine ni Jenda, igizwe n'amazone 10. Nayo ni :

• Zone Bikanka igizwe n'imitumba 3: Bikanka, Kigozi na Ndayi.

• Zone Jenda igizwe n'imitumba 7: Buhoro, Jenda, Kanyunya, Mugoyi, Nyarushanga, Rwibaga, Vyuya.

• Zone Kankima igizwe n'-imitumba 3: Kibira, Nyamugari na Rutambiro.

• Zone Kigina igizwe n'imitumba 4: Karama, Kigina, Kinama na Mugendo.

• Zone Matara igizwe n'imitumba 4: Kizunga, Matara, Mukonko, Mwumba.

• Zone Mugongo igizwe n'imitumba 4: Butagazwa, Gisarwe, Mugongo na Murunga

• Zone Mukike igizwe n'imitumba 4: Mayuyu, Nyarumanga, Rurambira na Ruzibazi.

• Zone Nyabibondo igizwe n'imitumba 5: Gasarara, Mayemba, Mbare, Muhuha, Nyabibondo.

• Zone Nyabiraba igizwe n'imitumba 5: Bubaji, Kinyami, Musenyi, Nyabiraba, Raro.

• Zone Rukina igizwe n'imitumba 3: Mutobo, Ruhororo na Rukina.

Yose hamwe ni imitumba 42 igize amazone 10 ya Komine Rwibaga.

*Biracaza*

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uburenganzira bwo kutagirwa umuja

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja bugenewe kiremwa muntu wese. Nta muntu n'umwe akwiye kugirwa umuja w'uwundi. Ubushumba n'urudandazwa rw'abantu birabujijwe mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegekanijwe n'amategeko mpu-zamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu c'Uburundi.

1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uburenganzira bwo kutagirwa umuja.

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu muvyo kwitunganiriza ubuzima no mu vyerekeye poritike,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana,

* Amasezerano yunganira amasezerano mpuzamakungu yerekeye kurwanya ivyaha bikorwa mu bihugu bitandukanye,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye gukinga no guhana urudandazwa rw'abantu cane cane ibikorerwa abagore n'abana

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

1.1 Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.

Nk' uko ingingo ya 4 ibivuga "nta muntu n'umwe azogirwa umuja canke umushumba. Kugirwa umuja n'urudandazwa rw'abashumba mu buryo ubwo ari bwo bwose birabujijwe".

2. Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyo kwitunganiriza ubuzima no mu vyerekeye politike.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ngingo y'8 y'aya masezerano, "nta muntu n'umwe yogirwa umuja". Ibandanya ivuga ko "ubuja no kugira abantu abaja mu buryo ubwo ari bwo bwose bibujijwe".

1.3. Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana.

Aya masezerano arerekana ico ibihugu vyayasizeko umukono bikora kugira ngo uburenganzira bwo kutagirwa umuja bwubahirizwe no ku bana, mu gufata ingingo zibakingira gucurwa bufuni na buhoro.

Tubisanga mu ngingo ya 19 mu gace kayo ka mbere ivuga ko "ibihugu vyemeje aya masezerano bishinga amabwirizwa n'amategeko afatiye ku ntwaro, imibano no ku ndero kugira ngo bikingire umwana ico cose kimusinzikaza, kimuturubika, gituma atitabwaho, kumucura bufuni na buhoro, harimwo n'ivyo kumufata ku nguvu, bikozwe n'uwumujejwe canke uwutamujejwe".

1.4 Mu masezerano mperekeza yerekeye kurandurana n'imizi ukugira abantu abaja, urudandazwa rw'abantu hamwe n'ibisata bifasha mur'urwo rudandazwa.

Nk'uko ingingo ya 6 ibivuga "ibihugu vyashize umukono kuri aya asezerano, bitegerezwa gufata nk'icaha gihanwa n'amategeko ukugira umuntu umuja canke kugira uruhara kugira umuntu atakaze ubwigenge bwiwe mugufatwa nk'umuja".

1.5. Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

No muri aya masezerano, turasangamwo ingingo zerekana ingene uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegerezwa kwubahirizwa.

Ingingo ya 5 ivuga ko "umuntu wese afise uburenganzira bwo kwubahirizwa mu gateka karanga zina muntu kandi ubuntu bwiwe bukubahirizwa n'amategeko".

Ibandanya ivuga ko" uburyo bwose butyoza agateka ka zina muntu, nko kugirwa umuja, igurishwa ry'abantu, ugusinzikarizwa ubuzima nayandi mabi yose atyoza ubuntu bibujijwe".

2. Ingene amategeko y'igihugu c'Uburundi ategekanya uburenganzira bwo kutagirwa umuja.

Igihugu c'Uburundi carashize umukono ku masezerano atandukanye yerekeye uburenganzira bwa kiremwa muntu.

Bisigura ko ciyemeje gukora ibishoboka vyose kugira kiyashire mu ngiro. Nico gituma ayo masezerano yashizwe mu mategeko y'igihugu, biciye mw'Ibwirizwa Shingiro. Vyongeye, amategeko n'amabwirizwa bikomoka kw'ibwirizwa shingiro, birakingira umuntu kugirwa umuja.

Muri ayo mategeko y'igihugu c'Uburundi tuza kwisunga Ibwirizwa Shingiro, igitabo c'amategeko agenga akazi mu Burundi, ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014 ryerekeye kurwanya no guhana ivyerekeye urudandazwa rw'abantu no gukingira abakorewe ayo mabi hamwe n'ibwirizwa n° 1/13 ryo kuwa 22 Nyakanga 2016 rikinga, rikingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina rigahana n'abayagirizwa .

2.1 Mw'Ibwirizwa Shingiro.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 26 "nta muntu n'umwe azogirwa umuja canke umushumba.

Ubuja n'ugucuruza a-

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kutagirwa umuja

(Bitangurira ku rup.10)

Ubuja n'ugucuruza abantu mu buryo ubwo ari bwo bwose birabujijwe".

2.2. Mu gitabu c'amategeko agenga akazi.

Mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bwo kutagirwa umuja, amategeko agenga akazi mu Burundi arategekanya ko hategerezwa kuba amasezerano y'akazi hagati y'umukoresha n'umukozi .

Ingingo ya 34 y'igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi irerekana insiguro y'amasezerano y'akazi. Ivuga ko "ari amasezerano yanditse umukoresha n'umukozi bagiriranira, ku gikorwa c'amaboko canke c'ubwenge umukoresha aha umukozi kandi ategerezwa kugihemberwa".

Ingingo ya 20 nayo ivuga ko "inyifato yose itera uruhagarara umukozi, imutesha agaciro kandi igashobora no kumusinzikariza ubuzima ikamwicira kazoza,irabujijwe".

2.3 Mw' ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014 ribuza rikanahana urudandazwa rw'abantu hamwe no gukingira abakorewe ayo mabi.

Uburundi bwarashizeho kandi ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 29 Gitugutu 2014 ribuza rikanahana urudandazwa rw'abantu hamwe no gukingira abakorewe ayo mabi. Iryo bwirizwa ritegekanya mu ngingo ya 4 ko "urudandazwa rw'abantu ari ico cose kijanye no guhimiriza abantu, kubafasha kwiyunguruza, kubaha indaro, kubarungika canke kubakira biciye mu kunyuruzwa, mu busuma, mu bubeshi, mu kwitwaza igihagararo, ubukene umuntu arimwo, mu gutanga canke guhabwa ibiguzi canke uturusho kugira umuvyeyi canke umukoresha atange uwo afise ko ububasha".

Abagiriwe n'ivyo vyaha duhejeje kudondagura mu ngingo ya 4, bahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka cumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi ijana gushika ku bihumbi amajana atanu nkuko ingingo ya 10 ya rino bwirizwa ibivuga.

Mu gihe Uburundi bwari mu ntwaro y'ubukoloni, kahise karerekana ko abarundi bari babayeho nk'abaja b'abazungu. Ivyo bigaragarira ku bihano abazungu baha abarundi,nko gukubitwa ikimoko, kuja kubarimira, kugemurira abazungu ku nguvu n'ibindi. Hariho n'abarundi bamwe bamwe vyananira kwihangana bagata bakomoka.

Ikindi tutodeha, n'ukwakwa uburenganzira ku matungo amwe amwe yabo, aho bigisha ko kizira ko umurundi afungura akanyama k'inkoko canke ngo afungure amagi kandi ariwe yaziyororeye, tutibagiye amata n'amavuta y'inka vyari bigenewe abazungu gusa.

Kubera ubwira n'ubukerebutsi bw'abarundi, barabonye ko ivyo bitobandanya uko, baraheza barava hasi bararondera intahe yo kwikukira yabonetse kw'igenekerezo rya 1 mukakaro 1962.

Iyo ntahe yo kwikura yazaniye abarundi bose ukwidegemvya, ugutunganirwa mu matungo yabo, ukwitunganiriza ivyabo batarinze kuzera inze.

Uburenganzira butandukanye bw'abarundi burubahirijwe, babayeho mu mutekano bitunganiriza imigambi y'iterambere bayobowe n'indongozi bitoreye,ivyo navyo bikaba ari ivyamwa vy'iyo ntahe y'ukwikukira abarundi twese turi hamwe dutegerezwa kwama tubungabunga.

Kubungabunga iyo ntahe yo kwikukira nako si ukundi, ni ukwama turajwe ishinga no kubungabunga amahoro n'umutekano vy'igihugu, gukura amaboko mu mpuzu tugakora, tugatunganya imigambi y'iterambere, tugateza imbere Uburundi n'amabarundi.

Nk'uko twabonye ko uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu, uwutubahirije ubwo burengazira arahanwa nk'uko amategeko atandukanye abitegekanya.

Duhereye ku gitabu c'amategeko mpanavyaha, ingingo ya 258 ivuga ko "uwo wese yagiriwe n'icaha co kunyuruza, guhagarika, gupfunga canke gupfungisha abantu abo ari bo bose kugira ngo abadandaze nk'abaja canke yatanze abantu yarajejwe ngo badandazwe mu buryo bw'abaja ahanishwa umunyororo uva ku myaka cumi gushika ku myaka mirongo ibiri".

Ugukorera umuntu amabi afatiye ku gitsina, ni nko kumufata nk'umuja. Ni co gituma ibwirizwa n°1/13 ryo kuwa 22 nyakanga 2016 rikingira abakorewe amabi afatiye ku gitsina no guhana abagirizwa ayo mabi ivuga mu ngingo ya 34 ko "uwo wese yagiriwe no kugura, kugurisha, gutanga umuntu canke kumuhatira gukora rimwe canke kenshi imibonano mpuzabitsina ahanishwa umunyororo wo guherayo hamwe n'igihano mperekeza kimwe canke vyinshi nk'uko bitegekanijwe n'igitabu c'amategeko mpanavyaha".

Mu gusezera, twomenya ko uburenganzira bwo kutagirwa umuja ari uburenganzira bwa zina muntu wese, kandi ko butegerezwa kwama bwubahirijwe.

Twomenya kandi ko mu ntumbero yo kwirinda kugirwa abaja, dutegerezwa gukura amaboko mu mpuzu tukijukira ibikorwa vy'iterambere, tugateza imbere igihugu tutiriwe turarindira infashanyo ivuye hanze, tukigaba tukigaburira.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ku ncuro ya mbere : «Paruwase Karinzi, yaraye yakiriye ibirori vyo kwatira abasaserdoti n'abadiyakoni».

*(Bitangurira ku rup.4)*




*Foto : Chanel HARINAGNJI*

kuko nivyo bituma abantu babona ko Imana ibakunda, bagaheza bavyura agatima bati : Imana iradukunda kuko yaraturungikiye Umukiza ».

Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze Gatolika y'i Bujumbura yarahanuye abo yagira ngo yatire kwirinda abashaka kubimika no kubahatira mu bwami bw'aha kw'isi, bitwararike guteza imbere ukwemera kw'abo bazoba baragijwe.

Ngo Yezu amaze kubona abantu biyonjoroye bakagenda, yabajije abigishwa biwe ati : Namwe mushaka kwigira ? Petero agaragaza ukwemera ati : turi bwirukire nde wundi ko ari wewe ufise amajambo y'ubuzima budahera ? Yezu yaritwaritse guteza imbere no gukomeza ukwemera kw'abatumwa biwe, kuko ukwemera ari ryo shimikiro rya vyose.

Ati : « Nimwugurura amaso y'umutima, ntimuzoteba kubona ibihuhusi bigomba kubahitana ngo bibahungabanye na cane cane iyo mugiye murabizirikana.

Murame mwigana Yezu yashimye guca yigira mu mitumba gukebukana na Se, mu gusenga, kuko yumvise ko bashaka kumwatira bamutandukanye n'icamuzanye. Muze muvyirinde.

Aribaza ati: 'Mbega ubwo nta batumwa bamaze kwiyibagira none basigaye bacambigwa kwimikwa mu vy'isi? Mu babatirijwe, ntabagumye ku rugero rw'ukwemera gusa Ekleziya mu gihe ishoboye kubagwiriza imikate, ariko iyo itanguye kubabwira ivyerekeye urukiza rubasaba kubanza guhinduka, bagaca biyonjorora nko mu gihe ca Yezu ?»



*Abasaserdoti bashasha baraye batiwe muri Paruwase Karinzi*

Yasozereye yibutsa ko ubusaserdoti ari ibanga ribangirwa ingata, ko atawohava yitega kuri iyo misore ko bamuteza imbere mu butunzi ahubwo ko bikwiye ko bama ivyamwa vya Mutima Mweranda, we akomeza urukundo rwa Mana Data mu basavyi biwe.

Inyuma y'inkuka ya Misa, ibirori vyaciye bibandaniriza ahari hategekanirijwe agatutu kubatumire, n'abashitsi b'umuryango wa Paruwase.

***Patiri Noël Ntirandekura***